Bujumbura, le 30/5/2020

REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
*CABINET DU MINISTRE*

N° 630 / 2604 / CAB / 2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : ITANGAZO RY'UBUSHIKIRANGANJI BWO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KURWANYA SIDA RYE REKEYE IKIZA CA CORONAVIRUS MU BURUNDI

Kuva kw'igenekerezo rya mirongo ibiri na gatanu(25) gushika kurya mirongo ibiri n'icenda (29) Rusama 2020, harakozwe ibipimo vyo gusuzuma ko ba bantu mirongo ibiri n'umwe (21) bari mu bitaro bakurikiranwa n'abaganga ko boba bagifise imigera ya Coronavirus ; ibipimo vy'abantu mirongo itatu na batatu (33) biketsweko boba baranduye ikiza ca Coronavirus, batabarijwe n'ibitaro bimwe bimwe vyo ngaha mu gisagara ca Bujumbura ; hamwe n'ibipimo vy'abantu mirongo indwi na babiri (72) bamaranye umwanya munini n'aba barwayi batowe umugera wa Coronavirus, **bose hamwe bakaba ari ijana na mirongo ibiri na batandatu(126) bakorewe ibipimo.**

Ivyo bipimo twasanze vyifashe gurtya:

- **Ibipimo vyo gusuzuma ba barwayi mirongo ibiri n'umwe (21) bari mu bitaro vyerekana ko abantu cumi na batatu (13) atamigera ya Coronavirus bagifise. Abo bandi umunani (8) naho batarakira, amagara yabo yifashe neza**
- **Muri mirongo itatu na batatu (33) batabarijwe n'ibitaro vyo ngaha i Bujumbura, cumi n'umwe (11) twasanze baranduye imigera ya coronavirus.**
- **Mu bantu mirongo indwi na babiri (72) bamaranye umwanya munini naba barwayi batowe umugera wa Coronavirus, abantu cumi (10) nibo banduye imigera ya coronavirus.**

**Abo barwayi cumi na batatu (13) bakize, cumi n'umwe (11) bo mubitaro vyitiriwe Umuganwa Rudoviko Rwagasore na babiri (2) bo mu bitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge , bakaba baronkejwe uburenganzira bwo gusubira mu miryango yabo.**

Igikorwa co gukurikirana abantu bamaranye umwanya munini n'abo barwayi bashasha ukwo ari mirongo ibiri n'umwe (21) batowe indwara ya Coronavirus kirabandanya, mu ntumbero yo kumenya abandi boba baranduye.

Ubushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya Sida busavye abenegihugu kudaha agaciro ibihuha bica ku mbuga ngurukana bumenyi hamwe no ku ma radiyo ndetse n'ibimeshamakuru bimwe bimwe vyo hanze y'igihugu bikwiragiza nkana ibihuha n'izindi nkuru z'ibinyoma zica ivutu abenegihugu; **inkuru zo kwizerwa ni izitangwa n'inzego z'igihugu zonyene**.

Ubushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya Sida busubiye guhumuriza abenegihugu ngo batekane, ariko bitwararike gukwirikiza impanuro zo kwikingira no gukingira abandi ikiza ca Coronavirus.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 30 Rusama 2020

IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI WO KUBUNGABUNGA
AMAGARA Y' ABANTU NO KURWANYA SIDA

République du Burundi · Cabinet du Ministre · B.P 1820 · BUJUMBURA · Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA

REPUBLIQUE DU BURUNDI

Bujumbura, le 30/5/2020

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
*CABINET DU MINISTRE*

N° 630 / 2604/CAB/2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : COMMUNIQUE DE PRESSE DU MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA SUR LE SUIVI DES ACTIONS DE PREVENTION ET DE RIPOSTE FACE AU COVID-19

En date du 25 au 28 Mai 2020, l'Equipe d'Intervention Rapide du Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida a effectué des prélèvements de contrôle sur les 21 patients testés positifs au COVID-19 qui sont sous suivi médical ; 33 cas suspects sur alerte de certains hôpitaux de Bujumbura, 72 personnes-contacts ; **soit un total de 126 personnes prélevées.**

Les résultats des examens virologiques sont les suivants :

- **Parmi les 21 anciens patients sous suivi médical, les résultats des tests de contrôle sont revenus négatifs au COVID-19 pour 13 personnes, toutefois l'état de santé des 8 autres est bon.**
- **Les résultats des 33 cas suspects sont revenus positifs au COVID-19 pour 11 personnes.**
- **Parmi les 72 personnes-contact, 10 cas sont revenus positifs au COVID-19.**

**Les 13 anciens patients guéris dont 11 de la Clinique Prince Louis Rwagasore et 2 de l'Hôpital Militaire de Kamenge ont eu les billets de sortie de l'Hôpital.**

**La recherche et l'identification de toutes les personnes ayant été en contact avec les 21 nouveaux cas positifs au COVID-19 sont en cours.**

Le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida demande à la population de ne pas se fier aux rumeurs colportées par les réseaux sociaux et par certains médias extérieurs du pays qui lancent sciemment des informations erronées pour perturber la population; **la seule voie autorisée pour toute information fiable est le canal gouvernemental.**

Le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida réitère son appel aux populations à rester sereines, tout en respectant scrupuleusement les mesures de prévention individuelles et collectives contre le COVID-19.

Fait à Bujumbura, le 30 Mai 2020

LE CABINET DU MINISTRE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA

République du Burundi
Cabinet du Ministre
B.P 1820
BUJUMBURA

B.P 1820 Tél. (257) 22 22 91 95/ (257) 22 24 25 42 BUJUMBURA